# Itangazo ku bimenyesha makuru

**Contacts**

**Direction Générale de l'INSBU**

**B.P**
1156 Bujumbura
Burundi

**Téléphone**
+257 22 226 729

**Fax**
+257 22 222 635

**e-mail**
ins.burundi@gmail.com

**Site Web**
www.insbu.bi

**Date de publication**
**Le 10 janvier 2026**

**Prochaine publication**
**Le 10 février 2026**

**Direction Technique de l'INSBU**

**Téléphone**
+257 22 216 735

**Service Technique ESP**

**Téléphone**
+257 22 275 482

## Igipimo c'ihindagurika ry'ibiciro mu Burundi vy'ivyankenerwa mu miryango : umwaka wa 2025

Mu mwaka waheze muri Kigarama 2025, dusanga ibiciro vyo mu Burundi vyiyongereye k'urugero rw'ibice mirongo itatu na bine kw'ijana (34,0%), ugereranije n'umwaka w'i 2024. Twokwibutsa ko iryo hinduka ry'ibiciro ku masoko yo mu Burundi mu mwaka w'i 2024 ryari k'urugero rw'ibice mirongo ibiri n'uduce tubiri kw'ijana (20,2%).

Uko kwiyongera kw'ivyo biciro bikaba ryatewe ahanini n'ibiciro vy'ibifungurwa vyiyongereye k'urugero rw'ibice mirongo itatu na bitatu kw'ijana (33,0%) hamwe n'ibitari ibifungurwa k'urugero rw'ibice mirongo itatu na bitanu n'uduce tune kw'ijana (35,4%).

Tugereranije urugero rw'ico gipimo mu kwezi kwa Kigarama 2024 no muri kuno kwezi kwa Kigarama 2025, dusanga ibiciro vyiyongereye ku rugero rwa 15,2%. Tukibutsa ko ibiciro vyari vyiyongereye ku rugero rwa 23,1% mu kwezi guheze kwa Munyonyo 2025.
Ugereranije ibiciro vyo muri uku kwezi kw'icumi na kabiri (Kigarama) 2025 n'ivyo mu kwezi guheze kw'icumi na rimwe (Munyonyo 2025), ibiciro vyiyongereye ku rugero kw'ibice ubusa n'uduce tubiri kw'ijana (0,2%), twobibutsa ko muri uku kwezi guheze kwa Munyonyo vyari vyagabanutse kw'ibice ubusa n'agace kamwe kw'ijana (-0,1%).

| Umwaka | Ukwezi | Igipimo c'ibiciro muri rusangi | | Igipimo c'ibiciro bidahindagurika cane | | Igipimo c'ibiciro vy'ibifungurwa gusa | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze |
| **2024** | Munyonyo | 18,8 | 3,4 | 18,6 | 2,9 | 17,0 | 4,3 |
| | Kigarama | 20,2 | 7,4 | 20,6 | 6,4 | 18,4 | 8,6 |
| **2025** | Nzero | 22,0 | 2,6 | 22,8 | 3,5 | 20,2 | 2,8 |
| | Ruhuhuma | 23,8 | 2,8 | 25,6 | 5,0 | 22,1 | 1,9 |
| | Ntwarante | 26,1 | 2,2 | 28,7 | 1,9 | 24,4 | 2,9 |
| | Ndamukiza | 29,0 | 5,4 | 31,9 | 2,7 | 27,6 | 5,9 |
| | Rusama | 31,6 | -0,7 | 34,8 | 0,9 | 30,6 | -1,9 |
| | Ruheshi | 33,8 | -0,6 | 37,5 | 0,9 | 32,9 | -0,6 |
| | Mukakaro | 35,4 | 1,2 | 39,6 | 1,1 | 34,7 | 0,7 |
| | Myandagaro | 36,6 | -0,3 | 41,2 | 1,4 | 35,9 | -2,1 |
| | Nyakanga | 36,9 | 0,7 | 41,7 | 1,6 | 36,6 | 0,0 |
| | Gitugutu | 36,8 | 1,2 | 42,0 | 1,3 | 36,6 | 1,2 |
| | Munyonyo | 36,1 | -0,1 | 41,8 | 0,7 | 35,7 | -0,3 |
| | Kigarama | 34,0 | 0;2 | 40,4 | 0,9 | 33,0 | 0,0 |

**Umuyobozi mukuru w'ikigo INSBU.**

**Nicolas NDAYISHIMIYE**